# INAMA NKENGUZAMATEKA Y'UBURUNDI

IKINYAMAKURU GISOHOKA RIMWE MU KWEZI

N° 0020 NZERO 2026



## IBIRIMWO

Gutanga kabiri amakori ku bidadanzwa vyinjira mu gihugu c'Uburundi canke muri Maroc n'urudandazwa rwa magendo bigiye kuvaho

Urup. 2



Reta iritayeho ibijanye n'uguteza imbere igisata c'amasoko ntanganguvu

Urup. 4



Inama Nkenguzamateka yaremeje integuro y'Ibwirizwa risubiramwo Itegeko rigenga Igiporisi c'Uburundi

Urup. 7



Sénat Burundi, Avenue du peuple Murundi,

www.senat.bi | info@senat.bi

+257) 22 40 50 23,(+257) 22 405008

Burundi Senat

# Inama Nkenguzamateka yarabajije umushikiranganji Edouard Bizimana kw'ishirwa mu ngiro ry'amasezerano Uburundi bwagiranye n'ibindi bihugu

Kw'igenekerezo rya 13 Nzero umwaka w'2026, mu nama yari irongowe n'Umukuru w'Inama Nkenguzamateka, Nyeniteka Gervais Ndirakobuca, abakenguzamateka barabajije ibibazo umushikiranganji mu vyo ajejwe harimwo imigenderanire n'ayandi makungu, Edouard Bizimana, bijanye n'ishirwa mu ngiro ry'amasezerano Uburundi bwagiranye n'ibindi bihugu nka Arabie Saoudite, Oman, Qatar, Gabon, Guinée Equatoriale, n'ibindi, kuva mu mwaka w'2020.



*Nyeniteka Gervais Ndirakobuca, Umukuru w'Inama Nkenguzamateka*

Bimwe muri ivyo bibazo n'imyitwarariko, abakenguzamateka bashikirije harimwo amakenga y'uko abarundi bamwe bamwe baja gukora ubuzi mu bihugu vy'abarabu bafatwa nabi, ntibahembwe mbere bigashika bamwe bakicwa, amashirahamwe arungika abakozi hanze kandi atazwi na Reta, abarundi baja gukorera mu bihugu bidafitaniye amasezerano n'Uburundi, uruhara rw'ubuserukizi bw'Uburundi mu gukingira abakozi, gutunganya neza amasezerano kugira ngo abarundi baja gukorera mu bindi bihugu bakingirwe hamwe n'abakenyezi baja gukora hanze batavyumvikanye n'abagabo babo.



*Abagize Ibiro vy'Inama Nkenguzamateka*

Ku kibazo kijanye n'abakozi b'abarundi bafatwa nabi iyo bariko barangurira imirimo mu makungu, Umushikiranganji Edouard Bizimana yishuye ko Reta iriko irakora ibishoboka vyose kugira ngo abo bakozi bakingirwe biciye mu gushira mu ngiro amasezerano Uburundi buba bwaragiriraniye n'ibihugu abarundi baranguriramwo imirimo. Agasaba ko abakozi b'abarundi baja hanze baca mu mashirahamwe azwi na Reta. Ayo mashirahamwe na yo ayahimiriza gukora yisunze amategeko.



*Bamwe mu bakenguzamateka bari mu nama*

Ku bijanye n'umurundi yishwe, umushikiranganji yamenyesheje ko vyabanje kugorana kumumenya kuko yari yagiye mu makungu adaciye mu kigo (Agence) kizwi n'amategeko. Ati : "Vyabaye ngombwa ko haba amatohoza kugira ngo bimenyekane ko uwo muntu ari umurundi".

Umushikiranganji yavuze kandi ko uwuserukira Uburundi wese ko ategerezwa gukingira inyungu z'abarundi bari mu makungu.



*Bamwe mu bakenguzamateka bari mu nama*

Ku vyerekeye abakenyezi baja gukorera mu makungu batavyumvikanye n'abo bubakanye, yashikirije ko Reta yipfuza ko Uburundi bugira imiryango yifashe, iremye kandi yumvikana. Yaciye ahamagarira abaja kurondera ubuzi hanze y'igihugu gushira imbere inyungu z'imiryango yabo. Yemeye kuzoshikiriza amashirahamwe arungika abakozi hanze ico kibazo c'imiryango, kugira ngo bibaye ngombwa kije mu mategeko.



*Umushikiranganji Edouard Bizimana*

Mu bindi bibazo abakenguzamateka babajije umushikiranganji mu vyo ajejwe harimwo imigenderanire n'ayandi makungu, hari ugusaba ko abarundi boja gukorera no mu bindi bihugu bifitaniye amasezerano n'Uburundi nka Gabon na Guinéé Equatoriale n'abakozi ba Reta baheba ubuzi bakaja gukorera mu makungu.

Ku vyerekeye abarundi boja gukorera muri Gabon canke Guinée Equatoriale, umushikiranganji Edouard Bizimana yishuye ko bariko barakora ibishoboka kugira ngo amasezerano Uburundi bwagiranye n'ivyo bihugu aje mu ngiro vuba.

Ku bijanye n'abakozi baheba ubuzi bwa Reta bakaja mu makungu, yishuye ko hakwiye kujaho poritike y'igihugu ituma abakozi badahurumbira kuja kurondera ubuzi mu makungu

## Gutanga kabiri amakori ku bidadanzwa vyinjira mu gihugu c'Uburundi canke muri Maroc n'urudandazwa rwa magendo bigiye kuvaho

Kw'igenekerezo rya 13 Nzero uno mwaka, mu bikorwa vyari birongowe na Nyeniteka Gervais Ndirakobuca, abakenguzamateka barize bongera baremeza integuro y'ibwirizwa ryerekeye iyemezwa na Repuburika y'Uburundi ry'amasezerano yashizweko umukono kw'igenekerezo rya 12 Rusama 2025 i Rabat, hagati ya Repuburika y'Uburundi n'Ingoma ya Maroc, yerekeye ikurwaho ry'ugutanga kabiri amakori ku bidadanzwa vyinjira mu gihugu c'Uburundi canke muri Maroc no kugwanya urudandazwa rwa magendo. Imbere yo kwemeza iyo nteguro y'ibwirizwa, Umushikiranganji Edouard Bizimana mu vyo ajejwe harimwo imigenderanire yabanje gusigurira abakenguzamateka imvo n'imvano yatumye Reta yiyumvira gutegura ayo masezerano. Yamenyesheje ko ayo masezerano azofasha gukingira abagwizatunga yaba ab'Uburundi canke aba Maroc kutariha amatagisi habiri, yongere anabakingire.



*Abagize ibiro vy'Inama, I Nkenguzamateka bariko baremeza Integuro y'Ibwirizwa*

Uwo mushikiranganji yaranamenyesheje kandi ko igihugu ca Maroke gifise vyinshi uburundi bwokurayo nk'ibijanye n'amasoko ntanganguvu, uburezi, gukarihiriza ubwenge abakozi n'ibindi.
Mu myitwarariko n'ibibazo abakenguzamateka bagiye barashikiriza umushikiranganji ni nko gushaka kumenya ivyo Uburundi buriko butegekanya gushora muri Maroke kugira bwinjize amahera mvamakungu, ko abarwizatunga b'Uburundi batazomirwa, n'ic'ubushikiranganji bwoba buriko burakora kugira bushireho igisata gikurikirana abarundi batwarayo imitahe yabo.

Ku kibazo kijanye n'ivyo Uburundi butegekanya gushora muri Maroc harimwo nk'ikawa, icayi, ivyamwa, n'ubutare. Ku makenga nayo ajanye nuko abarwizatunga b'abarundi bomirwa, umushikiranganji yamenyesheje ko ingorane bakunda kugira ni nko kubura ivyo bashora bikwiye aca amenyesha ko aherutse gukorana inama n'abarwizatunga kandi ko hariko hatsimbatazwa imigenderanire hagati y'abarwizatunga bo mu Burundi hamwe n'abarwizatunga bo muri Maroc.



*Umushikiranganji Edouard Bizimana*

Ikibazo kijanye n'ico ubushikiranganji bwoba buriko burakora yamenyesheje ko hashizweho intumbero yo gutsimbataza imigenderanire mu vy'iterambere, ko ku bw'ivyo hariho imigambi myinshi imaze kumvikanwako haba mu vy'amagara y'abantu, mu vy'ubutare, bakaba bifashisha abafise ubuhinga bukwiye kugira baje gusigurira abarwizatunga kuzana mitahe. Abakenguzamateka bamaze guca irya n'ino iyo nteguro y'ibwirizwa baciye bayemeza ijana kw'ijana.



*Abakenguzamateka bariko baremeza integuro y'ibwirizwa*

## Abenegihugu baba muri komine Bururi bahamagarirwa kwama babungabunga amabarabara yabo

Icegera ca Kabiri c'Umukuru w'Inama Nkenguzamateka, Nyakwubahwa Clotilde KAMPIMBARE, yarifadikanije n'abenegihugu baba ku mitumba ya Muhweza, Musongati, Gikana, Gitobo, Mwarusi, Gikizi na Muzenga yo mu mazone ya Muhweza, Kajondi na Rutovu muri komine Bururi, intara ya Burunga, mu bikorwa vyo kuzibira ibinogo no gusibura imifurege, kw'ibarabara rihuza amazone ya Muhweza na Kajondi, ku wa 10 Nzero, umwaka w'2026.



*Ibikorwa vy'uyo munsi*

Mw'ijambo yashikirije abari bitavye ivyo bikorwa, Nyakwubahwa KAMPIMBARE yarahimirije abo benegihugu gukunda ibikorwa vy'iterambere rusangi, kubungabunga amabarabara yabo mu gusibura imifurege yayo, cane cane ku misi ya gatandatu, yongera abahimiriza kurima n'ukworora kijambere hamwe n'uguca imikobeko mu matongo yabo.

Uyo mwubahwa, yahanuye abo benegihugu kwerekana umutima wo gukunda igihugu mu gukora ibikorwa bitandukanye bizobateza imbere, yongera abasaba kureresha abana babo ibikorwa.
Yasozereye ijambo ryiwe abahamagarira kubandanya babumbatira amahoro n'umutekano kuko ari karahara mu ruganda ntibacure, yongera abahimiriza kwijukira gutera icamwa c'ivoka ku bwinshi.



*Bamwe mu bariko bakora ibikorwa rusangi*

# Reta iritayeho ibijanye n'uguteza imbere igisata c'amasoko ntanganguvu

Mu nama yabose, yo ku wa 21 nzero, umwaka w'2026, yari irongowe n'Umukuru w'Inama Nkenguzamateka, Nyeniteka Gervais Ndirakobuca, abakenguzamateka barize bongera baremeza integuro y'ibwirizwa ryerekeye iyemezwa na Repuburika y'Uburundi ry'amasezerano yashizweko umukono ku wa 12 Rusama, umwaka w'2025, i Rabat, hagati ya Repuburika y'Uburundi n'Ingoma ya Maroc, yerekeye amasoko ntanganguvu



Abagize Ibiro vy'Inama Nkenguzamateka

Umushikiranganji w'ubutare n'agataka, amasoko ntanganguvu, amahinguriro, ubudandaji n'ingenzi Dr Hassan Kibeya niwe yari yarungitswe na Reta y'Uburundi kugira ngo ashikirize imvo n'imvano y'iyo nteguro y'ibwirizwa.

Mu nsiguro yatanze, umushikiranganji Kibeya yamenyesheje ko Uburundi n'Ingoma ya Maroc vyari bisanzwe bifitaniye ubucuti n'imigenderanire cane cane mu bijanye na politike. Yashikirije ko muri ino myaka naho, ivyo bihugu vyumvikanye gutsimbataza ubwo bucuti biciye mu gufashanya, mu bisata bijanye n'ubutunzi n'iterambere ryavyo. Ati: "Ni muri iyo ntumbero ivyo bihugu vyateye umukono ku masezerano atandukanye, harimwo ayajanye n'uguteza imbere igisata c'amasoko ntanganguvu."

Yaribukije ko mu ntumbero y'ugushira mu ngiro imbonakazoza Uburundi bwihaye: igihugu cifashe mu mwaka w'2040, giteye imbere mu mwaka w'2060, hategekanijwe ibijanye n'uguteza imbere ibisata vy'ubutunzi; mu biza imbere hakaba harimwo ibijanye n'amasoko ntanganguvu.

Yamenyesheje ko Reta yashize inguvu mu vyerekeye



Abakenguzamateka bemeza iyo ntaguro y'ibwirizwa

kuronka ivya nkenerwa vyotuma abenegihugu baronka umuyagankuba ukwiye.

Ati: "Igihugu c'Uburundi n'Ingoma ya Maroc, birafitaniye isano mu vyerekeye ubutunzi kama, kuko vyose birafise amazi, izuba n'umuyaga.

Yasiguye ko igihugu ca Maroc camaze kwitunganya bikwiye mu bijanye n'ugushiraho amahinguriro yerekeye ayo masoko ntanganguvu. Uburundi na bwo nyene, bukaba bwipfuza gutera imbere muri ico gisata.

Mu vyo yashikirije Uburundi buzofashanya n'ico gihugu hakaba harimwo ibijanye n'ugukarihiriza ubumenyi abakozi b'Uburundi bakora mu gisata c'amasoko ntanganguvu, cane cane abo mu kigo ca Regideso. Uyo mushikiranganji, yarangije insiguro ziwe amenyesha ko, bitegekanijwe ko imirwi y'abahinga muri ico gisata, bo ku mpande zose izokorana, kugira ngo bigire hamwe ibikenewe vyose, mw'ishirwa mu ngiro ry'uwo mugambi.

Ku bijanye n'amakenga abo baserukira abenegihugu



Umushikiranganji Kibeya

bashikirije, yerekeye ugushaka kumenya ko hoba hariho ayandi masezerano yoba ariko arategurwa, kugira ngo iyi nteguro y'ibwirizwa imaze guterwako umukono, ishirwa mu ngiro ryayo ntirize ritebe, uyo mushikiranganji yishuye ko ibijanye n'ishirwa mu ngiro ry'aya masezerano bizokorwa n'imirwi y'abahinga, hagati y'ibigo bisanzwe bijejwe kurwiza

n'ugutanga umuyagankuba, nka REGIDESO ku ruhande rw'Uburundi n'ishirahamwe ritanga umuyagankuba muri Maroc.
Ku vyerekeye ugushaka kumenya ko hari integuro ubushikiranganji bujejwe amasoko ntanganguvu bufise, yo gushiraho ivyerekeye umuyagankuba uva ku zuba n'uwuva ku muyaga, yishuye ko igihugu ca Maroc kizoronsa Uburundi ubumenyi, mu bijanye n'ico gisata.
Yabandanije yishura ko ubushikiranganji bujejwe amasoko ntanganguvu buriko burarondera ibibanza vyo kuzoshiramwo ibikoresho bijanye n'itangwa ry'umuyagankuba uva ku zuba, bizoba bije kwiyongera ku vyahahora.
Yarashikirije impungenge afise, ku bijanye n'umuyagankuba uturuka ku muyaga, avuga ko usaba ibikoresho bizimvye, kandi bisaba ko uba ufise ikibanza kinini gifise umuyaga uza ku murindi munini.
Mu ntererano yashikirije, Nyeniteka arongoye Inama Nkenguzamateka yasavye abakenguzamateka bazoba begereye ahari ibikoresho bita "plaques solaires", bikoreshwa mu bijanye n'umuyagankuba uva ku zuba kuzohimiriza abenegihugu bazoba baba muri iyo micungararo, kugira ngo bigishe abana babo kwirinda kwonona ivyo bikoresho.
Yasavye kandi ubushikiranganji bujejwe amasoko ntanganguvu gutegekanya amasezerano azotuma abakozi b'ikigo Regideso bazoba barakarihirijwe ubumenyi muri Maroc, batazoca baja gukora mu bindi bisata babonyemwo akarusho
Inyuma y'inyishu zari zatanzwe n'uyo mushikiranganji, iyo nteguro y'ibwirizwa ikaba yaciye yemezwa n'abakenguzamateka bose.



*Nyeniteka Gervais Ndirakobuca, Umukuru w'Inama Nkenguzamateka*

## Abakenguzamateka baremeje integuro y'ibwirizwa rikingira ibitororokanywa vyerekeye umuntu ubwiwe



*Abagize ibiro vy'Inama Nkenguzamateka bariko baremeza Integuro y'Ibwirizwa*

Umukuru w'Inama Nkenguzamateka, Nyeniteka Gervais Ndirakobuca, yararongoye inama, ku wa 23 nzero uyu mwaka (2026), aho abakenguzamateka bize bongera baremeza integuro y'ibwirizwa rikingira ibitororokanywa vyerekeye umuntu ubwiwe

Umushikiranganji w'intwaro yo hagati mu gihugu, iterambere rusangi n'umutekano, Léonidas Ndaruzaniye, ni we yari yarungitswe na Reta kugira ngo ashikirize imvo n'imvano y'iyo nteguro y'ibwirizwa.
Mu nsiguro ziwe, umushikiranganji Ndaruzaniye yamenyesheje ko muri iki gihe, kubera hari iterambere ry'ubuhinga bw'imashini nyabwonko n'ivyo bukoreshwamwo, ku vyahora bigize ubuzima bwo mw'ibanga bw'umuntu haguma hiyongerako ibindi. Muri vyo, yashikirije nk' ibitororokanywa ku muntu bimuranga biboneka ko bihurumbirwa n'abandi. Ati: "Igikorwa c'uguhinyanyura ivyo bitororokanywa gitegerezwa kugirwa hubahirijwe uburenganzira bw'abantu, uburenganzira ngenderwako bwabo hamwe n'agateka kabo".



*Umushikiranganji Ndaruzaniye*

Yasiguye ko, kubera ivyo, amategeko yerekeye ibitororokanywa ku muntu bimuranga ategerezwa kuba ari amategeko akingira ivyo vyose umuntu afitiye uburenganzira n'uburenganzira ngenderwako bwiwe.

Yabandanije asigura ko, naho hashizweho urubuga « intranet » rwa Reta, iterambere ry'ugukoresha ubuhinga bw'imashini nyabwonko mu ntwaro, mu mashirahamwe y'abikorera utwabo hamwe n'ikoreshwa ryabwo rigirwa n'abantu, ugushira ivyatororokanijwe mu buhinga bwa none bijanye n'intonde z'amatora hamwe n'ikarata ndangamuntu yo mu buhinga bwa none rituma hegeranywa kandi hahinyanyurwa ivyatororokanijwe ku muntu bimuranga.

Uyo mushikiranganji, yarerekanye ko amategeko yisungwa mu Burundi atategekanije ingene ivyo bikorwa birangurwa hamwe n'ingene bifatwa imbere y'amategeko. Yasiguye ko intumbero y'iri bwirizwa ari iyo gushiraho amategeko yari abuze.
Yarerekanye kandi ko iri bwirizwa rikingira ibitororokanywa ku muntu bimuranga ritunganya amategeko atandukanye yerekeye ugukingira hamwe n'ugutorera umuti ikibazo kijanye n'inzego mu gushinga urwego rwigenga rujejwe gushira mu ngiro amategeko yo gukingira ibitororokanywa. Yarongeye amenyesha ko iyo nteguro y'ibwirizwa itegekanya ishingwa ry'urwego rw'igihugu ruzoba rujejwe gukingira ibitororokanywa ku muntu bimuranga, rukazoba rutwarirwa mu bushikiranganji mu vyo bujejwe harimwo ubutunzi bufatiye ku buhinga bwa none.



*Abakenguzamateka bariko bakurikina ibikorwa*

Nyakwubahwa Ndaruzaniye, yasozereye insiguro ziwe amenyesha ko iyo nteguro y'ibwirizwa itegekanya ikongera igahana ivyaha vyo kurenga ingingo zo muri iri bwirizwa bitabereye intambamyi ishirwa mu ngiro ry'ingingo mpanavyaha ziri mu bindi bitabu vy'amategeko nk'igitabo c'amategeko mpanavyaha n''ibwirizwa rikinga rikongera rigahana ubukozi bw'ikibi bukorwa biciye mu buhinga ngurukana bumenyi.

Ku bijanye n'amakenga abakenguzamateka bashikirije ajanye n'ugushaka kumenya ko vyokunda ko ikigo ARCT kijejwe kugenzura ibijanye no guhana hana amakuru, gisanzwe gitwarirwa mu biro vy'Umukuru w'Igihugu, cogenzurwa n'urwego ruzoba rutwarirwa mu bushikiranganji bujejwe ikigega ca Reta, rukazoba rujejwe kuraba ko ibitororokanywa vyerekeye umuntu ubwiwe biri ahantu hatandukanye bikoreshwa hisunzwe amategeko, uyo mushikiranganji yashikirije ko ivyo bisata bibiri bitazoba bisangiye amabanga.



*Iyemezwa ry'integuro y'ibwirizwa*

Ku vyerekeye icipfuzo abo baserukira abenegihugu bashikirije, ko urwo rwego ruzoba rujejwe kuraba ko ibitororokanywa vyerekeye umuntu ubwiwe bikoreshwa hisunzwe amategeko rwotwarirwa mu bushikiranganji bujejwe umutekano, Nyakwubahwa Ndaruzaniye, yishuye ko ivyo bitororokanywa biraba ubushikiranagnji butandukanye, ari na co gituma urwo rwego ruzoba rubijejwe ruzoba rutwarirwa mu gisata gifise ubuhinga bwa none.
Ku bijanye n'ugushaka kumenya ico umwenegihugu yokora kijanye n'ivyo bitororokanywa bimwerekeye ubwiwe, uyo mushikiranganji yishuye ko urwo rwego ataco ruzosaba umwenegihugu. Ati: "Iri tegeko niryamara guterwako umukono, ibigo bizoba bifise ivyo bitororokanywa vyegeranijwe ku mvo zitandukanye, nk'amabanki, umurwi w'igihugu ujejwe gutegura amatora (CENI) n'ibindi bizoba bifise ikiringo ntarengwa co kubishikiriza urwo rwego biciye mu buhinga bwa none."
Abakenguzamateka bamaze kunyurwa n'izo nyishu z'umushikiranganji, bakaba baciye bemeza ijana kw'ijana iyo nteguro y'ibwirizwa.

# Inama Nkenguzamateka yaremeje integuro y'Ibwirizwa risubiramwo Itegeko rigenga Igiporisi c'Uburundi

Mu nama yari irongowe n'Umukuru w'Inama Nkenguzamateka, Nyeniteka Gervais Ndirakobuca, abakenguzamateka barize bongera baremeza, kw'igenekerezo rya 29 Nzero uno mwaka w'2026, Integuro y'Ibwirizwa risubiramwo Ibwirizwa ryunganira Ibwirizwa Shingiro inomero 1/27 ryo ku wa 09 Kigarama umwaka w'2021 rishinga imirimo y'Igipolisi c'Uburundi, ingene gitunganijwe, abakigize n'ingene gikora.



*Nyeniteka Gervais Ndirakobuca arongoye Inama Nkenguzamateka*

Umushikiranganji w'intwaro yo hagati mu gihugu, iterambere rusangi n'umutekano, Léonidas Ndaruzaniye ni we yari yaserukiye Reta kugira ngo ashikirize imvo n'imvano y'iyo nteguro y'Ibwirizwa. Mu nsiguro yatanze, umushikiranganji mu vyo ajejwe harimwo umutekano, yamenyesheje ko iyo nteguro y'Ibwirizwa ije guhindura Ibwirizwa ryahahora kugira ngo hisungwe indinganizo y'Ibwirizwa ryunganira Ibwirizwa Shingiro N°1/03 ryo ku wa 16 Ntwarante mu mwaka w'2023 rishinga imbibe z'intara, iz'amakomine, iz'amazone n'iz'imitumba canke amakaritiye.

Bimwe muri bishasha, ni ifutwa ry'amakomisariya y'uturere, igabanuka ry'amakomisariya y'intara yavuye kuri 18 aja kuri 5, amakomisariya y'amakomine na yo ava kw'119 aja kuri 42.

Izindi mpinduka ni irwizwa ry'imirwi yo gutabara



*Umushikiranganji Léonidas Ndaruzaniye*

vyihuta, aho umurwi wose uzoba ujejwe amakomine abiri canke atatu n'ibiro vy'igiporisi mu mazone bingana n'amazone uko ari 451.

Inyuma y'insiguro z'umushikiranganji mu vyo ajejwe harimwo umutekano, abakenguzamateka barashikirije ibibazo n'imyitwarariko kugira ngo bashobore gutahura ibiri muri iyo nteguro y'Ibwirizwa. Bimwe muri vyo yari amakenga ku bijanye n'abantu bapfungirwa ubusa, ko hoba harategekanijwe imiduga yunguruza abaporisi baja gutabara naririya amakomine yagutse, gushaka kumenya uruhara rw'amakomite ajejwe umutekano (Comités mixtes de sécurité humaine mu rurimi rw'Igifaransa) no gusaba ko hubahirizwa, mu rwego rw'igiporisi, ibitigiri vya 50% vy'Abahutu na 50% vy'Abatutsi.



*Nyakwubahwa Clotilde Kampimbare, Icegera ca kabiri c'Umukuru w'Inama Nkenguzamateka*

Ku kibazo kijanye n'abantu bapfungirwa ubusa , umushikiranganji Ndaruzaniye yashikirije ko uwupfunze umuntu atisunze amategeko abihanirwa.

Ku vyerekeye imiduga yo kwunguruza abaporisi bagiye gutabara, umushikiranganji mu vyo ajejwe harimwo umutekano yamenyesheje ko bazokoresha imiduga igiporisi gisanzwe gifise bibaye ngombwa basabe uburyo Reta. Ati : "Abaporisi ntibazoreka



*Abagize ibiro vy'Inama Nkenguzamateka bariko baratora integuro y'Ibwirizwa*

kuja gutabara ngo babuze uko biyunguruza".
Ku bijanye n'uruhara rw'amakomite ajejwe umutekano, umushikiranganji Ndaruzaniye yavuze ko iyo nteguro y'Ibwirizwa yariko irigwa, uwo munsi, yari yerekeye igiporisi gusa.

Ku vyerekeye iyubahirizwa ry'ibitigiri vya 50% vy'Abahutu na 50% vy'Abatutsi mu giporisi, yishuye ko ivyo bitigiri vyubahirizwa kandi ko n'uwo bimenyekanye ko yabeshe ubwoko bwiwe abihanirwa hisunzwe amategeko.

Abakenguzamateka bamaze kunyurwa n'inyishu z'umushikiranganji Léonidas Ndaruzaniye, baciye bemeza bose iyo nteguro y'Ibwirizwa, ijana kw'ijana.



*Abakenguzamateka bariko baratora integuro y'Ibwirizwa*

## Ivyegeranyo vy'ingendo zagizwe n'abakenguzamateka mu gihugu no mu makungu

Kw'igenekerezo rya 08 Nzero 2026, mu nama ya bose yari irongowe n'Icegera ca Mbere c'Umukuru w'Inama Nkenguzamateka, Nyakwubahwa Générose Ngendanganya, abakengezamateka bashikirijwe ivyegeranyo vyavuye mu ngendo zabereye mu bihugu vyo hanze y'Uburundi hamwe n'izabereye mu gihugu hagati mu kiringo c'akaruhuko ka Munyonyo 2025.



*Nyakwubahwa Générose Ngendanganya, Icegera ca mbere c'Umukuru w'Inama Nkenguzamateka*

Ku bijanye na zimwe mu ngendo zo hanze y'igihugu, hashikirijwe ivyerekeye ibikorwa vy'inama igira 151 vy'Ihuriro ry'Inama Nshingamateka na Nkenguzamateka (UIP), vyabaye kuva kw'igenekerezo rya 19 gushika ku rya 23 Gitugutu 2025, i Genève, muri Suisse ; ivyavuye mu bikorwa vy'Ihuriro rigira 3 ry'Imboneza z'abagize Inama Nshingamateka na Nkenguzamateka zo muri Afrika



*Nyakwubahwa Clotilde Kampimbare, Icegera ca kabiri c'Umukuru w'Inama Nkenguzamateka*



*Umukenguzamateka Léocadie Ndacayisaba*



*Umukenguzamateka Léonard Habimana*

(CoSPAL), yabaye kuva kw'igenekerezo rya 12 gushika ku rya 14 Kigarama 2025, i Rabat, muri Maroc ; ivyavuye mu bikorwa vy'isasa risanzwe rigira 6 ry'ikiringo ca 6 c'inama y'abashingamateka n'abakenguzamateka bo mu bihugu vya Afrika (PAP), vyabereye i Johannesbourg, muri Afrika y'Epfo, kuva kw'igenekerezo rya 01 gushika ku rya 11 Munyonyo 2025 ; ivyavuye mu rugendo rwabereye muri Repuburika ya Guinée-Bissau ku bijanye no gukurikirana ibikorwa vy'amatora yo kw'igenekerezo rya 23 Munyonyo 2025, vyatunganijwe muri ico gihugu.



*Umukenguzamateka Ferdinand Ndayisavye*



*Umukenguzamateka Sabine Ntakarutimana*

Ibindi vyashikirijwe vyerekeye urugendo rw'akazi rwabereye i Kampala muri Repuburika y'Ubuganda rujanye n'inkino zahuje abashingamateka n'abakenguzamateka bo mu bihugu bigize Umuryango wa Afrika y'Ubuseruko biciye mu nkino zihuza abashingamateka n'abakenguzamateka bo muri uwo Muryango, zabaye kuva kw'igenekerezo rya 06 gushika kurya 16 Kigarama 2025; urugendo rw'akazi rwabereye i Kampala mu gihugu c'Ubuganda, rwerekeye Inama igira 20 yahuje abarongoye Inama Nshingamateka na Nkenguzamateka bo mu bihugu bigize Umuryango wa Afrika y'Ubuseruko yabaye kw'igenekerezo rya 14 Munyonyo 2025 ; ibikorwa vy'Inama igira iya 84 ya Komite Nshingwabikorwa y'Ihuriro ry'Inama Nshingamateka na



*Bamwe mu bakenguzamateka bariko barumviriza ivyegeranyo*

Nkenguzamateka za Afrika (UPA), yabereye mu gihugu ca Repuburika iharanira Demokarasi ya Kongo (RDC), yuguruwe icese kw'igenekerezo rya 18 Munyonyo 2025.

Bamaze guhanahana ivyiyumviro ku bijanye n'ivyo vyegeranyo, babonye ko kwitaba izo nama ari ngirakamaro kuko bifasha mu gukomeza ubucuti n'imigenderaniranire hagati y'Inama Nshingamateka na Nkenguzamateka z'Uburundi n'iz'ibindi bihugu, bakungurana ubwenge mu bijanye no kwiteza imbere mu bisata bitandukanye canke mu bindi.

Ku bijanye no kugendera abenegihugu mu kiringo c'akaruhuko k'abashingamateka n'abakenguzamateka mu kwezi kwa Munyonyo 2025, abakenguzamateka bashikirije ivyegeranyo bavuze ko baganiriye n'abenegihugu ku vyerekeye ahanini ingorane z'amabarabara, ivy'amadosiye y'ubutungane, ivy'imibano, indero, iterambere n'ibindi. Abakenguzamateka bakaba barabatekerera impanuro zitandukanye zibafasha kwitunganya mu buzima bwa minsi yose.



*Umukenguzamateka Jean Baptiste Baranyizigiye*

# Inama Nkenguzamateka

REPUBLIQUE DU BURUNDI

SENAT


## Uruganda rw'iyandikiro:

**Umukuru w'iyandikiro:** Ruhanga Apollinaire

**Abanditsi:** Gacuti Marie-Justine, Nimpereza Léonce, Nkunzimana Célestin

**AMASANAMU:**

Khalfan Ndayizeye
Rapahël Irakoze
Gilbert Niyongere
Prudence Ndimugakirwe
Habonayo Schem

**Gihagarariwe na Benoît NGENDAKUMANA**


**Kurikirana ikiganiro c'Inama Nkenguzamateka kuri:**

1. **RTNB (TV)** : Imisi yose ku wa kane (18h 45min)
2. **RTNB (Radio)** : Imisi yose ya gatandatu (9h30min)
3. **Rema (TV)** : Imisi yose ku wa kabiri (21h 00min)
4. **Rema (Radio)** : Imisi yose ku wa mbere (17h30min)


Sénat du Burundi,Avenue du peuple Murundi,B.P.114 Gitega, Tél: (+257) 22 40 50 23,(+257) 22 405008,Site web:www.senat.bi